*Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika*
*Umwaka wa 68*
*Gisohoka kabiri mu kwezi*
*Ikiguzi : 500FBu*

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

*Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06*



*«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a*

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°778 1 Munyonyo 2022

## Haraye huguruwe umwaka w'ubutumwa wa 2022 - 2023 muri Diyoseze ya Bubanza

Muri diyoseze Bubanza, Nyenicubahiro musenyeri Yohani Ntagwarara Umwepiskopi wa Diyoseze Bubanza yaruguruye umwaka w'ubutumwa 2022 - 2023, ku civugo:

«**TUNAGURE INGO N'IMIRYANGO: MU GUTEGURA INGO NKRISTU ZIMENYESHA BOSE INKURU NZIZA** » .

Ico civugo kikaba gifitaniye isano n'icivugo c'iyugururа ry'umwaka wa Yubire y'imyaka 125 tumenyeshejwe Inkuru Nziza ya Yezu Kristu.

Nyenicubahiro musenyeri Yohani Ntagwarara amaze kwibutsa ico ciyumviro cavuye rukurikirane rw'amakete-nyigisho ya Nyenubweranda Papa, avuga ati:

Kuva aho Nyenubweranda Papa Fransisko a-shikirijwe iryo banga, yarashize imyitwarariko yiwe mu butumwa bwo kunagura ingo n'imiryango.

Ivyo vyibonekeza mu nama nkuru zibiri z'Abepiskopi yakoranije :

* Iya mbere biga ibibazo bihanze ingo n'imiryango mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza, ikaba yabaye ku magenekerezo ya 5 gushika 19 Gitugugu 2014 i Roma;
* Iya kabiri yari yerekeye itorwa n'ubutumwa bw'ingo muri Ekleziya no mugihe ca none , ikaba yabaye ku magenekerezo ya 4 gushika 25 Gitugutu 2015 i Roma nyene.

Inyuma y'izo nama, Umuvyeyi wacu Papa yahavuye asohora icese ikete-nyigisho yise « AKANYAMUNEZA K'URUKUNDO (Amoris Laetitia) » kw'igenekerezo rya 19 Ntwarante 2016 (ku musi mukuru wa Yozefu Mweranda).

Iryo kete rikaba ririmwo ivyiyumviro n'ibibazo nyamukuru vyavuye muri izo nama nkuru z'Abepiskopi, bifasha gutanga intumbero yo gukomeza umuryango muri iki gihe tugezemwo.

Papa ashimika ko twogira

Soma ku Rup. 3

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Anatolie NIYIMPAYE*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Mu myaka 124 iheze Inkuru nziza itanguye kumenyeshwa mu Burundi, ivyamwa bingana iki?

Uwatanguye ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu ni Yezu Kristu we nyene ubwiwe.

Mu gihugu cacu c'uburundi aba mbere baje nk'abamisiyonari baje kumenyesha inkuru nziza ni abapatiri bera bari barongowe na cardinal Lavigerie. Hari mu 1879.

Uwa kabiri ni Musenyeri Gerboin.

Uwa gatatu ni Musenyeri Julien Gorji wo mu gihugu c'ubufaransa, uwa kane ni Musenyeri Antoni Grauls.

Kardinali Lavigerie yaguma yigisha abo basangiye ubutumwa muri Afrika ko bataje kwubura ibindi bihugu canke imigabane yo kw'isi ariko ko baje kwigisha abantu inkuru nziza ya Yezu Kristu no gukiza abantu.

Bose bari abapatiri 6. Bose buriye ubwato i Marseille. Bashikira muri Tanzaniya muri Za-nzibar i Bagamoyo ahari hari abaja bajanwa iburaya n'Amerika.

Kuva Bagamoyo gushika mu Burundi hari ibirometero birenga 1000 kandi baza n'amaguru.

Umwe muri bo Pascal yapfiriye mu nzira. Bagenda barahuka mu nzira bagenda barahera abatware ngo babareke ntibabice.

Bashikiye mu Rumonge. Batatu (3) muri bo baca

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Umwaka w'ishure mw'iseminari nkuru yi Bujumbura waraye wuguruwe icese........5
o Ihimbazwa ry'umunsi mukuru wahariwe umwigeme ku ncuro 10........7
o Buca duhimbaza yubile y'imyaka 25 y'ubutumwa bw'isanamu ya Bikira Mariya agendera ingo........8
o Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere........10

# Idominika ya 32, Umwaka C

## Igisomwa ca mbere: *2 Abapfiriye Israyeli: 7,1.2. 9- 14*

Ivyo dusoma mu gitabu ca kabiri c'Abapfiriye Israyeli :

(*Hakurenga amabwirizwa ya ba sokuru, twopfuma dupfa*)

Umunsi umwe, abavukana indwi bafatirwa rimwe na nyina wabo; umwami Antiyokusi yashaka kubahatira ku nyama z'ingurube itegeko ribuza, abagomorerako ababakubita inkoni, abarekurirako n'ibikoko. Umwe arabaserukira ati: "Mbe ushaka kutubaza iki? Hakurenga amabwirizwa ya Data, twopfuma dupfa." Uwa kabiri nawe, mu gihe yariko aracikana avuga ati: "Wa mugesera we, udukuye muri ubu buzima bw'ubu, yamara Umwami w'isi azotuzurira ubuzima budahera, kuko dupfiriye amategeko yiwe."

Hanyuma y'uyo, bafata uwa gatatu, bamwica nabi. Buno nyene asokorora ururimi nkuko babimutegetse, atarika amaboko adatinya, aca avugana ubutwari ati: " Ijuru ni ryo ryampaye izi ngingo z'umubiri, mugabo kubera amategeko yaryo ndazirenza amaso, kandi ni ryo nizigiye ko rizozinsubiza."

Umwami na we nyene n'abagendanyi biwe bagwa mu gahundwe kubera ubutwari bw'uwo musore yaraba nk'ubusa ivyo kubabara. Igihe uno amariye gupfa, bazana uwa kane bamugira nk'uba mbere. Bugingo ari mu gucikana, avuga ati: "Wopfuma wicwa n'abantu, iyo wizigiye ko Imana ari yo izokuzura; ariko wewe ntuzokwigera ugabana ubuzima budahera."

## Igisomwa ca kabiri : *Abanyatesalonika: 2,16- 3,5*

Ivyo dusoma mw'ikete rya kabiri Umutumwa Paulo yandikiye Abanyatesalonika:

(*Ntiduhororokerwe mu kurorera Umukama*)

Ncuti zanje:
Umukama wacu Yezu Kristu ubwiwe be na Mana Data wa twese yadukunze, akaduha rimwe rizima uruhoza n'ukwizigira kumwe kwuzuye urweze, niremeshe imitima yanyu, mu vyo mukora no mu vyo muvuga vyose. Kandi, benewacu, muradusabire, kugira ngo ijambo ry'Imana risasagare, rininahazwe nkuko kw'iwanyu.

Saba dukire inda mbi y'ababisha badushakira inabi, murazi ko bose badafise ukwemera. Umukama ni intatanamundagano: niwe azobakomeza akabarinda wa mubi. Na kare amizero tubafiseko ahagaze ku Mukama: ivyo tubabwiriza murabikora kandi muzokwama mubikora. Umukama narongore imishaha yanyu ayerekeze ku rukundo rw'Imana, ntimwigere muhororokerwa mu kurindira Kristu.

## Inkuru nziza : *Luka 20,27-38*

**Alleluya, Alleluya.**

*Yezu Kristu ni we mfura mu bari bapfuye ; ni we akwiye ubuninahazwa n'ububasha mu myaka n'imyaka.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Luka:

*(Imana yacu ni Imana y'abazima)*

Umunsi umwe, bamwe mu Basadusayo- bamwe bagira ngo nta zuka ry'abapfuye ririho- baregereye Yezu ngo babimubaze. Bati: "Mwigisha, ng'ibi ivyo Musa yadutegetse: Haramutse habaye umuntu afise mwenewabo yubatse, uyo mwenewabo agapfa ata mwana assize, uyo muntu yabire wa mupfakazi ngo avyarire umwana mwenewabo. None habaye abahungu indwi bavukana: uwa mbere yabira umugore, arapfa ata mwana assize; uwa kabiri, hanyuma uwa gatatu baramwabira; bose gtyo uko bari indwi, bapfa ata mwana basize. Mu nyuma, wa mugore nawe arapfa. None ku munsi w'izuka, uwo mugore azoba uw'uwuhe, ko bamwabiriye bose uko ari indwi?

Yezu nawe arababarira ati: "Abantu bo kw'isi barabira, abandi bakabirwa; yamara abazoba babereye kwinjira mu bwami buzoza no kuzuka mu bapfuye, ntibazokwabirana, kuko batazoba bagishobora gupfa; bameze noneho nk'abamarayika kandi ni abana b'Imana, kuko batewe iteka ryo kuzuka. Na vyo ivy'uko abapfuye bazozuka, na Musa yaravyerekanye hamwe yari hafi ya ca gisaka, akita Umukama Imana ya Ibrahimu, Imana ya Izahaki n'Imana ya Yakobo. Si Imana y'abapfuye ni Imana y'abazima, kuko bose ari Yo bakesha ubuzima.

# Haraye huguruwe umwaka w'ubutumwa wa 2022 - 2023 muri Diyoseze ya Bubanza

(Bitangurira ku rup.1)

inyigisho n'ingendo imwe, akipfuza ko Ekleziya yokwegera ingo mu kuzitera intege mu vyo ziyemeje, tudasize inyuma iziri mu bibazo.

Tubibutse ko tugeze mu mwaka ugira gatanu twihaye ihangiro ryo KUNAGURA INGO N'IMIRYANGO.

Intambwe ya mbere twazirikanye icivugo ngo : **TUNAGURE INGO N'IMIRYANGO YO EKLEZIYA YO HAZIKO,**

Intambwe igira kabiri twazirikanye icivugo ngo: **TUNAGURE INGO N'IMIRYANGO DUHEREYE KU BITEGURIRA KWUBAKA RUKRISTU**.

Intambwe igira gatatu twazirikanye icivugo ngo: **TUNAGURE INGO N'IMIRYANGO MU KURERA NEZA URWARUKA RWACU,**

Intambwe igira kane twazirikanye icivugo kigira giti : **TUNAGURE INGO N'IMIRYANGO MU KWUBAKA UMUBANO MWIZA MU NGO ZACU.**

Ni muri iyo ntumbero Diyoseze yacu imurikiwe n'iryo kete-nyigisho rya Papa, uyu mwaka w'Ubutumwa ndawuhariye icivugo ngo « **TUNAGURE INGO N'IMIRYANGO : MU GUTEGURA INGO NKRISTU ZIMENYESHA BOSE INKURU NZIZA** ».

Tukaba duhiriwe duhishije iki civugo kirafitaniye isano n'icivugo c'iyugurura ry'umwaka wa Yubire y'imyaka 125 tumenyeshejwe Inkuru Nziza ya Yezu Kristu.

**Muti none ico civugo tuzokibamwo gute ?**

Muri rya kete-nyigisho Umuvyeyi wacu Papa yarashimitse mu kuvuga ko ingo z'abakristu, ku bw'inema z'isakramentu ryo kwabirana, arizo zegwa ubwambere na mbere n'ubutumwa bwo kwunganira ingo, cane cane biciye mu ntahe y'akanyamuneza ishingwa n'abubakanye be n'ingo, zo Ekleziya yo haziko. Ico nico catumye yerekana ko ari ugukora ibishoboka vyose kugira ngo abantu bashobore kwiyumvamwo ko Inkuru Nziza y'imiryango ari akanyamuneza gasaga umutima n'ubuzima bwose, kuko muri Kristu twakijijwe igicumuro, ukwijirwa, ukuzahuka ku mutima no kuba nyamwigendako (Evangelii Gaudium, N° 1, A.L 200)

Kugira ngo ingo zishobore kwama na ntaryo ari «NI JE MBIBAZWA », mu butumwa bw'ingo n'imiryango, ni ngombwa ko haba akigoro ko gushikiriza Inkuru Nziza n'inyigisho ndoramana imiryango, kayerekeza muri iyo ntumbero.

Nyenubweranda Papa abandanya asaba Ekleziya yose ko ihindura ingendo y'ubutumwa bwo gushikiriza Inkuru Nziza, ati : «Ni nkenerwa ko Ekleziya itagarukira gusa ku kumenyesha Inkuru Nziza y'imiryango mu majambo ataho ahuriye n'ubuzima abantu babayemwo. Ubutumwa nyunganirango bubwirizwa kumenyesha bufatiye ku buzima bwa misi yose ko Inkuru Nziza y'imiryango ari inyishu y'imyitwararikoihambaye y'umuntu : ni ukuvuga agateka kiwe, ukwiyumvanamwo kwuzuye n'uwo bubakanye, mu bunywanyi no mw'irondoka. Si ugushikiriza gusa ingingo zokurikizwa, ariko ni ukwereka abantu ivyiza mu gutorera inyishu ubukene buhari iki gihe (A.L n° 201).

**None ico civugo cacu kizorangurirwa he ?**

I Paruwase niyo ifise uruhara nyamukuru mu butumwa bwo kwunganira ingo, kuko ni umuryango w'imiryango, aho intererano y'imibano rukristu, amashirahamwe, imihari n'imirwi y'ubutumwa vy'Ekleziya binywanira.

Mu butumwa nyezina bwo kwunganira ingo n'imiryango, Umuvyeyi wacu Papa aremeza ko hakenewe inyigisho ibereye yohabwa Abasaserdoti, Abihebeyimana, Abamenyeshamana n'abandi batumwa b'Ekleziya bategura izo ngo, kugira zishobore kugira ubushobozi bwo kwigisha abandi (raba A.L n° 202 et 229).

Mu ntumbero y'ivyo bivuzwe hejuru, ndasaba Ibiro Nshingwabutumwa vya Diyoseze, bitegure indinganizo y'inyigisho zifasha abunganirango mu maparuwase, kugira ngo nabo baronke ico bazoshikiriza izindi ngo, maze ingo zizoba zateguwe, zikaburire Inkuru Nziza y'umuryango mu mibano rukristu, mu mihari no mu mirwi y'ubutumwa.

Ni ngombwa kandi ko abakristu barayake bari mu butumwa nyunganirango bigishwa bafashijwe n'abanononsoye ivyo kwigisha, abaganga bitaho imiryango, abaganga bitaho imibano, abanononsoye ibijanye n'imibano, abacamanza baburanira abana n'imiryango, kugira ngo babugururire ubwenge n'imitima, abigishijwe nabo bakakira intererano ziva mu bushakashatsi, muvy'inyifato y'abantu, mu vy'imibano, muvy'ubuzima ndangagitsina no muvy'ubuhinga bwo guhanura A.L n° 204.

Nkako umuryango ni ingabirano y'Umukama ni kandi ishusho y'Imana Butatu Bweranda, ingabirano igenewe gutagatifuza no gushikiriza urukiza abubakanye.

Ndatumiriye umuryango w'abakristu ba Diyoseze yacu, kwitanga kuruta uko bahora mu gufasha ingo, zibutswe akamaro k'ingeso nziza, zironke indinganizo y'inyigisho zitomoye zibunganira kunononsora impande zitandukanye z'ubuzima bw'ingo A.L 206.

Kugira iri hangiro twihaye muri iki civugo cacu turishikeko, ndasavye ko mu maparuwase yose harangurwa ibi bikurikira :

-Mu basaserdoti barangurira ubutumwa mw'iparuwase, ndasavye habemwo uwujejwe vy'umwihariko ubutumwa bw'ingo n'imiryango.

-Hashingwe igisata c'ingo n'imiryango muri Paruwase, kw'ishure no mu mibano rukristu. Kandi bamwe bose bamenyeshwe ico babwirizwa kurangura.

Ibik. urup.4

# Mu myaka 124 iheze Inkuru nziza itanguye kumenyeshwa mu Burundi, ivyamwa bingana iki?

barabica (ni patiri Deniaud na Augier bari kumwe n'umulayike D'hoop. Babiri basigaye baciye bahungira muri Kongo.

Musenyeri Francois Gerboin yararongoye Misiyoni ya Runyanyembe, yaciye arungika abandi bapatiri b'abamisiyonari. Musenyeri F. Gerboin yaciye yiyizira ashikira Misugi ashinga Misiyoni ya mbere mu 1897. Nawe acasubira Rushirombo.

Nabo baciye bava Misugi bimukira Muyaga. Muyaga rero niho abaye Imisiyoni ya mbere yaramye. Hari kuwa 19 Ntwarante 1897. Hakurikira Mugera mu mwaka 1899. Hasubira Buhonga mu 1902.

Haciye hakurikira Misiyoni ya Kanyinya, hari mu 1905.

Misiyoni ya Rugari nayo irakurikira mu 1908, kubera umuganwa yitwa Muhini yatwara aho hantu, yumvikana n'umwami, bashima ko iyo misiyoni ishingwa.

Mu mwaka wi 1912 hashinzwe intara y'ubutumwa nshasha ya Kivu ayishingwa Musenyeri Hirti.

Uwo Mwungere yari ageze muzabukuru nta gishasha yashoboye gushikako.

Mu 1922 niho Papa yashinga i Mugera icicaro c'Umwepiskopi ca mbere mu Burundi.

Mu 1925 niho hatirwa abapatiri bambere b'abarundi i Mugera.

Yarashinze ko abitegurira ibatisimu bamara imyaka 4 bategurwa. Yarakomeje ubutumwa bw'abamenyeshamana ararwiza n'amashure yitabariro ari yo Masikirisare.

Abamenyeshejwe Inkuru nziza ubwa mbere harimwo n'abatware.

Yitavye Imana, haciye hakurikira Musenyeri Grauls nawe araheza arashinga amamisiyoni mashasha.

Yarongereje amashure, amavuriro, ibigo vy'ibikorwa vy'ikigongwe. Mugenziwe Musenyeri Yozefu Martin nawe yabandanirije aho nyene. Umwitwarariko wabo wari uwo kuguma bunze ubumwe na Yezu mu kuguma basoma kandi bigisha ijambo ry'Imana cane cane ryo mu Bwuzure Bushasha.

Baritwararika kuremurura abarwaye mu kubavura. Baritwararika guteza imbere abantu mu gushinga amashure bipfuza ko muri bo habonekamwo ababunganira mu butumwa.

**Abasenyeri b'abarundi rero tumaze kuronka n'aba:**

1. Musenyeri Michel NTUYAHAGA, Umwungere wa mbere w'imvukira yarongoye Diyoseze Bujumbura

*Ibikur. urup. 12*

---

# Haraye huguruwe umwaka w'ubutumwa wa 2022 - 2023 muri Diyoseze ya Bubanza

*(Bitangurira ku rup.3)*

-Muri paruwase hatorwe ingo nkristu z'akarorero zizotegurirwa ku menyesha Inkuru Nziza imiryango.

-Ko dusanzwe turi mu ndinganizo yo kwitunga kwa Paruwase, ndasavye ko mu nteguro y'uburyo bukoreshwa muri Paruwase ku mwaka ku mwaka, igisata c'ingo n'imiryango cotegekanirizwa uburyo bwo gukora neza.

-Ndasavye amaparuwase yose, ko ishikanwa ryo ku musi mukuru w'Umuryango Mweranda w'i Nazareti rigenerwa igisata c'ingo n'imiryango muri Diyoseze.

-Igisabisho co gusabira ingo n'imiryango kibandanye mu maparuwase yose ; Inkuka ya Misa yo gusabira ingo ku musi wa gatandatu ugira kabiri w'ukwezi ikomezwe.

Iki civugo ca Diyoseze yacu « **TUNAGURE INGO N'IMIRYANGO : MU GUTEGURA INGO NKRISTU ZIMENYESHA BOSE INKURU NZIZA** » kiranywana rwose n'icivugo ca Yubire y'imyaka 125 Ekleziya y'i Burundi imaze imenyeshejwe Inkuru Nziza, naco kikaba kivuga kiti « **TWIJUKIRE UBUTUMWA BW'INGO, URUGO RUKRISTU RUBE EKLEZIYA YO HAZIKO, RUMENYESHA INKURU NZIZA HOSE** ».

Kugira ivyo vyivugo tubirangure neza, dutegere ko uwabatijwe wese ari umutumwa atari umurorerezi, ku bw'iyo mvo rero ingo nizihaguruke zikore ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza, abavyeyi n'abana atawigize sindabibazwa, kukaba nkako, « abavyeyi ni iremezo ry'inzu, abana nabo ni amabuye mazima yubatse umuryango » (1Petero 2,5).

Aho urugo rukristu rubaye habwirijwe kuba Ekleziya yo haziko.

Mu gusozera, ntumiriye ingo zose kwitabirana umwete ubwo butumwa buzirindiriye, imibano rukristu yose ibone ko guherekeza ingo mu rugendo rwazo rw'urukundo, ari ineza kuri iyo mibano ubwayo, kuko ababiranye babera umuryango w'abakristu itunga ntangere. Maze bagashobora guterera mu gusubiza itoto umuryango wose w'Ekleziya.

Ndangije ndabipfuriza umwaka mwiza w'ubutumwa.

***+Musenyeri Yohani Ntagwarara Umwepiskopi wa Diyoseze Bubanza***

***Emmanuel HAVYARIMANA***

# Umwaka w'ishure 2022-2023 mw'iseminari nkuru y'i Bujumbura, waraye wuguruwe icese




Ku wa 29 Gitugutu 2022, iseminari nkuru y'i Bujumbura yitiriwe Yohani Vianney mweranda w'i Arse yari iramukanya akanyamuneza ntangere ko kwinjira icese umwaka w'ishure w'i 2022 ushira 2023.

Ibirori vyabereye mu nyubakwa z'iyo seminari nkuru, bitangujwe n'inkuka ya misa yari irongowe na Musenyeri Bonaventure Nahimana Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega akaba ajejwe gukurikirana amaseminari n'ama novisiya mu nama nkuru y'Abepiskopi mu Burundi.

Uwo mwaka w'ishure wuguruwe ku civugo nyamukuru ngo : « **uwudakoza ntakarye** » (2 Tesalonika 3, 10).

Muri ico civugo, abaseminari ngo bahamagariwe gukunda ibikorwa, babikorane umwete n'urukundo, bigana bakuru bacu mu kwemera baduhaye akarorero ko kutarera amaboko.



Musenyeri Bonaventure Nahimana, Umwepiskopi Mukuru wa Gitega

ajejwe gukurikirana amaseminari n'ama Novisiya, ati : «Mu gihe ku wa 7 Ruheshi 2019 inama nkuru y'Abepiskopi yatangaje icese ingingo ngenderwako ku bijanye n'uko amaseminari yokwitu-nganya akongera akibe-shaho, ndahimbawe ca-ne kubona mwahisemwo ico civugo kibahamagarira gukura amaboko mu mpuzu. »

Arongera ati : « Dufatiye akarorero kuri Paulo Mweranda, igikorwa c'ubutumwa bwo kumenyesha inkuru nziza y'urukiza nticamubuza no gukora ibikorwa vy'amaboko mu guhingura insato z'ibitungwa agakora amahema yafasha cane abantu b'ico gihe. Umuntu ashobora no kwibaza ati "mbega umwanya wo kubifatanya yawukura hehe".

Afatiye kuri ako karorero ka Paulo Mweranda, uwo Mwepiskopi yasavye abaseminari n'abari ngaho bose guhungu abantu b'ibigaba, babayeho ataco bashaka guhereza amaboko. Ati : « Muri iyi seminari nkuru, ibinebwe ntakibanza bihafise kuko "ubunebwe ni intango y'izindi ngorane zose" ».

***Gukora ni umuhamagaro w'umuntu kuva mw'irema.***

Musenyeri Bonaventure Nahimana yibukije ko igikorwa ari « umuhamagaro wa zina muntu wese » kuva isi ikiremwa. Kukaba nkako, ngo twihweje neza inyandiko nyeranda, guhera kw'ijambo rya mbere ry'igitabu c'amamuko, Imana yaremye umuntu ngo aganze isi yongere ayitunganye. Ivyo navyo ntibishora kuranguka umuntu adakoze.

Mu bwuzure bushasha naho, Umwana w'umuntu ntiyaje nk'umutegetsi n'umwami aganza bose. Ariko yaje yicisha bugufi. Yarigize umuntu, yigira umusuku w'abandi ngo asangire natwe kuba umuntu, harimwo no gukora nyene kuko bigize umuntu. Yezu wenyene rero ni akarorero k'abakozi nk'uko avyivugira ngo « sinaje gukorerwa ariko naje gukorera abandi ».

Papa Paulo wa II Mweranda mw'ikete ryiwe ku bijanye n'igikorwa, nawe avuga ko igikorwa ari kimwe mubitandukanya umuntu n'ibindi biremwa. Papa Fransisko nawe avuga ko igikorwa ari ntasubirizwa ku buzima bw'umuntu, ko mbere ari igikorwa kidutuma dutandukanya umuntu n'uwundi. « Kubera igikorwa, turazi ko hari abarimyi, abaganga, abungere, ababaji, abubaka n'abandi ».

Musenyeri Bonaventure Nahimana, yasozereye avuga ko igikorwa ari ibwirizwa ry'Umukama, ko abaseminari boshira mu mutwe ko baje gukora, bataje kurera amaboko. « Kurya ivyo wabiriye akuya bitera iteka. Kandi igikorwa cose caba ic'amaboko canke ic'ubwenge, vyose bihesha iteka umuntu ».

Ku bwa Patiri Fulgence Nshimirimana umuyobozi w'iseminari nkuru y'i Bujumbura, ngo « gutanguza icese umwaka w'ishule mw'iseminari ni ikimenyetso c'uko iseminari ari umuryango w'Ekleziya.

Abaseminari bava mu gihugu cose, mu madiyoseze yose agize Ekleziya y'i Burundi». Patiri Fulgence akavuga ko ico kimenyetso co gutanguza umwaka gihambaye cane kuko ngo « Uwutamenye ukuntu atangura, ntamenya aho ahereza. Intango ni ikintu gihambaye cane ku gikorwa ic'arico cose.

Ibik. ku rup. 12

# Patiri Nicolas Kabududuye yaraye arengutse i Bukama

Patiri Nikolas Kabududuye yavukiye mu Mirango, agacimbiri k'umusozi wa rusansuma wa Kigereka, zone Busangana, komine Bukeye.

Yabatijwe kw'igenekerezo rya 27 Munyonyo 1939, muri Paruwase ya Bukeye.

Abavyeyi biwe, Petero SEBAKECURU na Antoniya NDYEBA, bari bamaze indwi zitatatu gusa babatijwe. Ico gihe bagereranije ko umwana wabo Kabududuye yoba yari afise imyaka ine. Ni kwo kwandika ko yavutse mu 1935.

**Aho yize amashure**

Amashure ry'intango yayize mu Bukeye. Yaro-nse ikonfirmasiyo igenekerezo rya 24 Ruhuhuma 1944. Muri iyo myaka abana baronkera igihe kimwe ikomuniyo ya mbere n'ikonfirmasiyo. Ikomuniyo y'ibirori yayironse igenekerezo rya 29 Mukakaro 1949. Yari ahejeje amashure y'intango, kuko uwo mwaka nyene yaciye yinjira mw'iseminari ntoyi y'i Mugera.

Iseminari ntoyi yayimazemwo imyaka 7, ayisozera mu mwaka 1956. Yaciye aja mw'iseminari nkuru y'i Burasira. Amaraho imyaka itatu yiga ivyigwa vya Filosofiya. Akurikizako, mu mwaka w'1959, ivyigwa vya Teolojiya, gushika mu kwezi kw'7, umwaka w'1963. Ico gihe iseminari nkuru yimukiye i Bujumbura. Ni naho Faratiri Nikola yasozereye ivyigwa vya Teologiya



Ibice bikuru-bikuru vyahabwa ico gihe abitegurira kuba abasaserdoti : ubusudiyakoni n'ubudiyakoni, yabironkeye i Bujumbura mu mwaka w'1964. Ubusudiyakoni kw'igenekerezo rya 10 Ruhuhuma 1964, ubudiyakoni mu kwezi gukurikira kwa Ntwarante, igenekerezo rya 31. Yatiwe mw'ibanga ry'ubusaserdoti igenekerezo rya 21 Mukakaro muri uwo mwaka nyene w'1964, muri Paruwase ya Cibitoke. Yatiwe na Musenyeri Mikaeli Ntuyahaga.

**Ubutumwa yagiye arashingwa kuva yatiwe mu busaserdoti**

- Kuva muri Mukakaro w'1964 gushika 1965 yafasha Patiri Mukuru wa Paruwase Yozefu Mweranda yo mu Ngagara.

- Kuva 1965 - 1969, yarungitswe gufasha Patiri Mukuru wa Paruwase ya Mikaheli Mweranda, i Bujumbura.

*Kuva 1969 - 1972 agenwe kuba Patiri mukuru wa Paruwase ya Buhonga.

- Avuye i Buhonga, yagiye mu Bukeye gufasha abanovisi b'Abafrera Bene-Paulo, ababera umurezi kandi ashingwa kuyobora iryo rerero (Aumônier et Maître des novices). Ubwo butumwa yabumazemwo imyaka 7, gushika mu mwaka 1979.

- Mu mu mwaka w'1979 yagiye kwungura ubumenyi muri Kaminuza y'i Fribourg, mu Buswisi, mu vyigwa vyo kunonosora itunganywa ry'ubutumwa muri Ekleziya (Théologie pastorale).
- Yatahutse i Bujumbura mu mpera z'umwaka w'1982. Muri Munyonyo umwepiskopi yaciye amugena kuba Econome Général wa diyoseze : ubutumwa bwo kubungabunga ikigega ca diyoseze no kurondera ibiyitunga. Ubwo butumwa yabumazemwo imyaka 6, gushika muri Nyakanga umwaka w'1988.

- Kuva 1988 - 1992 yagenwe kuba Patiri Mukuru wa Paruwase Jenda. Mu mwaka ukurikira w'1989, mu kwezi kwa Nyakanga, umwepiskopi yamwongereyeko ubutumwa bwo kumubera icariho (Vicaire épiscopal) mu ntara y'ubutumwa ya Buhonga.

- Kuva 1992 - 1995, Umwepiskopi yamurungitse kuba P. Mukuru wa Paruwase ya Bukeye. Aca amushinga n'ukumubera icariho (Vicaire épiscopal) mu ntara y'ubutumwa ya Muramvya. Yahamaze naho nyene imyaka 3.

- Kuva mu 1995 yagarutse i Bujumbura, umwepiskopi amushinze kuyobora ibiro vy'iterambere muri diyoseze (BDDBj). Ubwo butumwa yabumazemwo igihe kitari gito.

- Kuva muri 2007 - 2012 yagarutse kuba Patiri Mukuru wa Paruwase ya Mikaheli Mweranda.

Kuva 2012 ageze gukukuruka, yashishikaye aba kuri paruwase ya Mikaheli Mweranda, ariko ashinzwe ubutumwa bwo gufasha abarwaye mu bitaro (aumônier d'hôpital), cane cane mu Bitaro vya Prince Régent Charles no muri Polyclinique Central de Bujumbura.

Aho hagereye kumuruhurira ibikorwa, yaciye yimukira mu nzu y'abasaserdoti bageze mu zabukuru canke bakitswe n'amagara. Nta bundi butumwa umwepiskopi yasubiye kumushinga.

Yashengeye ku wa gatatu w'indwi iheze, igenekerezo ry'12 z'uku kwezi kwa Gitugutu. Ashengeye rero afise imyaka 86 canke 87.

**Iragi adusigaranye**

Patiri Nikola Kabududuye adusigaranye iragi ryiza ry'umusaserdoti w'akarorero. Yaragendeye ibanga Imana yamutoreye, atabangikanije. Yarabaye umutumwa abushitse mu muryango w'Ekleziya. Yakirana ubupfasoni n'umutima ukeye abo bose baje bamugana, canke abo basangiye ubutumwa. Yarumviriza, akavuga make, abereye. Yasonera bose. Yarafasha abamwirukiye, ataco yisigarije. Yabana neza na bose, ntawe yaremera.

Ese Umukama nyene ubuzima yari yarihebeye, yomuronsa impera yemereye abatoni biwe.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ihimbazwa ry'umusi mukuru wahariwe umwigeme ku ncuro igira 10

Ku ncuro igira 10, Uburundi bwifadikanije n'amakungu mw'ihimbazwa ry'umusi mukuru wahariwe umwana w'umwigeme. Hari ku wa 14 Gitugutu 2022 ku kibuga c'umupira w'amaboko c'ishule ryisumbuye rya Matana.


Foto: Chanel HARINGANJI


Foto: Chanel HARINGANJI

Umushikiranganji wo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira Imelde SABUSHIMIKE yarI ahagarariye ivyo birori kw'izina rya leta y'Ubundi, mw'ijambo ry'iwe yarakebuye ashimitse abigeme bahendwa bakajanwa gukina amareresi abandi nabo bakajanwa mu ndirimbo zataye akaranga, zitajanye n'imico y'ikirundi, ko batohendwa babona kuko uheza guhemuka ibigori bikera.

Yasavye abaririmvyi b'abarundi ko bokubitiza agatima mpembero bakibuka ico bari n'akarangamutima k'abarundi, kuko uruhara rwabo ari ntangere mu gukomeza imico y'abarundi. Yaboneyeho gusaba inama y'igihugu ijejwe kumenyesha amakuru gukurikiranira hafi ibikorwa vy'abo baririmvyi, no kubaha intumbero ibafasha gukomeza akaranga n'imico vy'Uburundi.

Yasavye kandi iyo nama nkuru y'igihugu hamwe n'ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo imico kama, gukurikiranira hafi indirimbo zisohorwa n'abo baririmvyi na cane cane izirimwo amashusho. Aho ni mu gihe indirimbo zisigaye zisohokera ku mbuga ngurukana bumenyi.

Yarahamagariye kandi abajejwe intwaro gukurikiranira hafi abafise amazu yerekana amareresi, kuko bashobora kuba baharabira ibintu bibakaburira mu buhumbu, bigatuma birara mu bigeme bakabakorera amabi atandukanye.


Foto: Chanel HARINGANJI

Yarangije asaba abantu bose kugira ico bakoze, kugira umwigeme akingirwe mw'ikoreshwa ngurukana bumenyi.

Ivyo rero biruko mu gihe umwana w'umwigeme adakingiwe kubera ibihe aba agezemwo, ari mubakunda gushikirwa n'ingaruka mbi ziturutse kw'ikoreshwa ry'ubwo buhinga ngurukana bumenyi.

Sylvane NDACAYISABA yari yaserukiye abandi bigeme, kubwiwe avuga ko ikoreshwa ry'ubwo buhinga bwa none, risaba ubwenge kuko rishobora kugira ingaruka mbi ku wubukoresha iyo bwakoreshejwe nabi.

Ivyo akabivuga afatiye ku bigeme bakoresha amaterefone ukutariko mu kuraba amareresi y'ibiterasoni, ivyo bigatuma baja mu buhumbu.

Umushikiranganji wo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira, yaciye aboneraho gushikiriza abana ba ntahonikora biga mu mashule matomato, ibikoresho vy'ishule bigizwe n'amakaye, amakaramu ; yongera atera intege abana b'abatwa batoye ikibazo co mu mwaka w'icenda mu kubaronse ivya nkenerwa bazokoresha mu mashule afise uburaro nk'uko leta yabisavye ko abana b'abatwa bazotora ico kibazo, bazoca babandaniriza ivyigwa muri ayo mashule y'indaro.

Mu ntumbero yo kubatera intege, umushikiranganji akaba kandi yabatekereye ivarize irimwo iniforome bazokwambara, umwabaro w'ibirato, impuzu z'ikarashishi, amafranga yo kugura amavuta ku bigeme, iswime, ivyo bazokwifuka, indobo, amakaye n'ibindi vyankenerwa vy'umunyeshure yiga mu mashule y'indaro.

Uwo musi mukuru rero ukaba wariko uhimbazwa ku civugo ngo : « **Umwigeme atere imbere akingiwe mu buhinga ngurukana bumenyi**».

Tubamenyeshe ko uwo musi mukuru wahariwe umwigeme wabayeho kuva mu mwaka wa 2012 kw'igenekerezo rya 11 Gitugutu. Aha mu Burundi uyu mwaka ukaba wahimbajwe ku wa 14 Gitugutu, kuko ku wa 11 Gitugutu amakungu asanzwe ahimbarizako uwo musi mukuru, ubwo bushikiranganji bwo gushigikirana bwari busanganywe ibindi bikorwa bwariko buratunganya ku rwego rw'igihugu.

**Chanel HARINGANJI**

# Buca duhimbaza Yubile y'imyaka 25 y'ubutumwa bw'isanamu ya Bikira Mariya agendera ingo


Abatumwa b'Isanamu y'Umuvyeyi Bikira Mariya agendera ingo bari mu kanyamuneza ko kwitegurira guhimbaza umusi mukuru w'intibagirwa wa yubile y'imyaka 25 irangiye uwo Muvyeyi abagendera yongera akora ivyiza mu ngo n'imiryango agendera. Hazoba ari kw'igenekerezo rya 04/12/2022.

**Inkomoko y'ubutumwa bw'isanamu ya Bikira Mariya agendera ingo.**

Ubwo butumwa bwatanguye mu mwaka w'1950. Wari umwaka mweranda.

Igenekerezo rya 1 Munyonyo 1950, niho Nyenubweranda Papa Pio wa XII yemeza icese ko Bikira Mariya yurijwe mw'ijuru umutima n'umubiri.

Abahurikiye mu muryango wa Schoenstatt wo mu gihugu ca Brésil, muri Amerika y'epfo, bariyumviriye ingene bofasha abantu muri uyo mwaka Mweranda kuja



*Umushingantahe Yohani Pozzobon, uwa mbere yitayeho cane ubwo butumwa inyuma yuko butangujwe n'umurwango w'abikira ba Mariya wa Schoenstatt*

mu birimba vya Bikira Mariya no mu busengero bwiwe bamusabe bongere bamuture ivyo bafise ku mutima, bakamwambaza bishimikije igisabisho c'irozari. Ariko basanze ari abakristu bake babishobora kubera uburyo buke.

Bahavuye bazirikana ingene Bikira Mariya yagiye kuramutsa incuti yiwe Elizabeti, (Luka 1,39-56), baca biyumvira ko n'ubu Bikira Mariya ashobora kuramutsa abana biwe, akabasanga mu ngo zabo.

Igenekerezo rya 10 nyakanga 1950, niho bahezagira amasanamu atatu ya Bikira Mariya agendera ingo, baca batangura kuyaherekeza mu ngo.

Umushingantahe Yohani Pozzobon, yari yubatse akagira n'abana 7, niwe yabaye rurangiranwa kuko ariwe musa inyuma y'amezi atatu, yashishikaye ubwo butumwa, gushika yitabe Imana.

Batubwira ko umusi wa mbere bajana ayo masanamu ya Bikira Mariya mu ngo, Yohani Pozzobon yahuriye imbere y'agasengero ka Schoenstatt k'ahitwa Santa Mariya n'umugwi w'urwaruka rutwaye isanamu mu ngo ruherekejwe n'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt.

Umwe muri bo yitwa Mama Teresihna yaciye atumira umushingantahe Yohani Pozzobon, amuhereza isanamu, amubwira



ati:"Iyi sanamu ndayikuragije. Ntibikenewe ko utegerezwa kwama wagiye kuvuga ishapule imisi yose mu ngo, ariko utegerezwa kuraba ko isanamu iva murugo ija mu rundi."

Nta n'umwe yashoboye kwibaza ko Imana yari yaritoreye Pozzobon, imuha n'inema zose yari akeneye kugira ngo Umuvyeyi Bikira Mariya n'Umwana wiwe Yezu, baciye kuri we n'ubwo butumwa, banagure ingo nyinshi mu rukundo.

Yohani Pozzobon atubwira ati:" Igihe umubikira ampaye iyo sanamu, naciye nibwira nti: "Ubu rero ngiye kwitanga ntiziganya. Mu kumpa iyo sanamu yaranyizigiye. Nanje naciye mbona ko mfise uruhara runini, nca nigira iyi ngingo: "nzohora mvuga ishapule imisi yose ku mugoroba".

Umushingantahe Yohani Pozzobon yaciye yishinga gushikiriza abandi uwo mushitsi w'iteka Bikira Mariya, aca yigira n'inama yo kuzomuherekeza mu ngo zizoshaka kumwakira.

Mu ngo yarasoma Ijambo ry'Imana bakarisabikanya. Yarasaba izo ngo kwambaza umuvyeyi Bikira Mariya bakoresheje igisabisho c'ishapule.

***Biracaza***

*Mama Mariya Claudine Niyuhire, ajejwe umurwi w'ubutumwa bw'isanamu ya Bikira Mariya agendera ingo*

*na*

*Mélance Ndayikeze*

# Iyugururwa rya Yubile y'imyaka 75 Umuhari w'Aba Scout umaze mu Burundi

Ku wa 8 Gitugutu 2022, niho umuhari w'aba Scout mu Burundi wugurura umwaka wa Yubile y'imyaka 75 umaze uvutse mu Burundi.

Ivyo birori, ku ruhande rw'aba katorika vyatanguriye ku Musozi wa Siyoni Gikungu, bitangurwa n'inkuka ya misa yaherejwe na Musenyeri Salvatori Niciteretse, Umwungere wa Diyoseze Bururi akaba ari nawe ajejwe igisata c'abakristu barayike mu nama nkuru y'Abepiskopi mu Burundi. Umwaka wa Yubile bawuguruye ku civugo ngo : « Ni mube umuco n'umunyu w'isi »

Mu mwanya wo kwitsa Ijambo ry'Imana, Musenyeri Salvatori yibukije abari ngaho ko urwaruka rwokwirinda kwisuka mubitaruzanira amahoro.

Ivyo navyo nk'uko uwo Mwungeer abivuga, ngo ni « inambu y'ivy'isi, urwanko, ubusuma, ubwicanyi, ubusambanyi, n'ubundi bubisha bwose budutandukanya n'ishaka ry'Imana tugaca kubiri n'amabwirizwa yayo ».

Musenyeri ati : « Ahubwo riho, ronderera ubuhigwe mu butungane, mu kubana n'abandi neza, nivyo vyoheza bikabafasha, bikabagirira ineza abandi hanyuma bikabunguruza. »

Yerekeje ku ba Scout bari baramukanye akanyamuneza ntangere ko kugurura umwaka wa Yubile, ati : « Umu scout wese ategerezwa kuba umuntu abushitse, ahagararira ukwemera kwiwe, atinyegeza inyuma y'amadini kandi agendera ukwemera kwiwe aho ari hose ».

Ivyo yabivuze kubera ko ngo higeze kwibonekeza aba scout bamwe bamwe bafise ingeso mbi, bakinyegeza inyuma y'indinganizo y'uwo muhari mu kwanka guhagararira ukwemera kwabo no gukurikiza ivyo basabwa.

Iyo bahanuye umu scout kanaka ngo akurikize amabwirizwa y'Imana n'amategeko y'Ekleziya kugira ngo akure ku mutima, ngo ukaza wumva avuze ngo jewe ivyo ntibindaba kuko nsenga aho nshatse, ngendera ukwemera kw'idini nshatse.

Kuri iyo nyifato, Musenyeri Salvatori Niciteretse yarabahebuje. Ati: « Egome niko Umuhari w'aba scout uruguruRiwe n'ayandi madini, nk'aba isiramu hamwe n'abaporotisanti b'imirwi yose. Ariko uwo muhari nyene utegerezwa kujamwo abantu bemera Imana, bayikunda kandi bigenza neza mu kibano. Nta n'umwe rero yohava yitwaza ngo ari mw'idini iyi canke iriya, hanyuma ngo yigenze ukutariko yibwira ko afise ikibanza mu muhari w'aba scout. »

Ni muri iyo ntumbero nyene Umwungere yahanuye aba Scout kuba abantu ngira kamaro mu buzima bw'igihugu no mu kibano. Yabasavye kandi kutaba abantu bahababukiye amahera n'amaronko kuko ngo vyama vyateye umudugararo n'umubano mubi kubasangiye ubutumwa.

***Umuhari w'aba Scout ni umuhari wururiwe amadini yos*e**

Mu gihe aba Scout b'aba katolika bari mu nkuka ya misa ku kirimba ca Bikira Mariya i Gikungu, aba scout b'aba isiramu bari ku musigiti uri muri karitiye aziyatike aho bita kuri MARAKAZI. Aba scout b'abaporotisanti nabo uwo manya bari ku cicaro gikuru c'ishirahamwe ry'aba scout mu Burundi kiri mu kigobe.

Inyuma y'amasengesho yari ategekanijwe, aba scout bose baciye bahurira hamwe, ku cicaro gikuru c'ishiramwe ry'aba scout mu Kigobe. Niho bari bateguriye kw'iginana no gusangira inzimana z'uwo musi mukuru.

No ngaho nyene, Musenyeri Salvatori Niciteretse yarafashe ijambo kugira ngo akebure aba Scout batari mir Ekleziya Katorika kuko bobo batari bumvise imbanuro zatangiwe ku musozi wa Siyone Gikungu.

No ngaho nyene, Umwungere yabandanije yibutse akaranga k'umuhari w'aba scout. Ako nako ngo « gashingiye ahanino kuba umuntu abushitse, agendera urukundo imisi yose, afasha abandi, aharanira amahoro n'ubutungane agatanga akarorero keza aho abaye ».

***Intango y'uwo muhari ntiyoroshe mugabo intambwe irashimishije***

Patiri Eddy Kwizera, umwibutsamana w'umuhari w'aba Scout ku rwego rw'igihugu avuga ko ashimishijwe n'intambwe umuhari ugezeko. Ati: « Umuhari wavutse mu Burundi mu 1948, uta-ngujwe na patiri Maes na Furara Gerolf bo mu muryango w'abapatiri bera baje bava i Kinshasa. Abambere batanguye kwinjira muri uwo muhari bari abana batobato biga mu mwaka wa 3 w'amashure matoyi kuri paruwse Mikaheli Mweranda i Bujumbura. Barahura bakagira utunama kabiri mu ndwi, bagashira imbere udukorwa twiza two gufashanya hagati yabo, gusuhuza abarwaye no kwiga ubuhinga bukoreshwa muri uwo muhari. Ubu umuhari ukwiye mu gihugu cose, ukaba urimwo aba katorika, aba isiramu n'aba porotisanti. »

Kubw'uwo mwibutsamana, muri kino gihe, uruhara rw'umuhari w'aba scout mu kubaka igihugu ngo ni ntasubirizwa. «Barakora ibikorwa vy'iterambere, barigisha gukunda igihugu no kugikundisha, mu nzego z'igihugu barimwo, abantu bagiye baba ngirakamaro haba mu gihugu no muri Ekleziya harimwo benshi barezwe n'uwo muhari »

***Mélance Ndayikeze***

# Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere

Abantu bose barangana imbere y'amategeko, imbere ya sentare no mu nzego zose z'ubutungane. Umuntu naho yoba yagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika sentare ibifitiye ububasha imucire urubanza kandi yumvirijwe mu ntahe y'icese.

Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu atunganya ubwo uburenganzira**

Uburenganzira bw'ugufatwa nk'umwere mu gihe umuntu yikekwako icaha butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,
* amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no muri poritike,
* amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana
* hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Ingingo ya 11 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, mu gace kayo ka 1, ivuga ko umuntu wese yagirizwa icaha aba ameze nk'umwere gushika bakimwemeje mu rubanza ruciwe icese kandi yarekuriwe kwiburanira uko bikwiye.



Umuntu naho aba yafatanywe itonga agumana uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere gushika sentare imuciriye urubanza.

Ingingo ya 14 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no muri poritike, mu gace ka 2, ivuga ko umuntu wese yagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika igihe intahe imaze kwerekana icaha yakoze.

Iyi ngingo irerekana kandi ko umuntu yikekwako icaha afise uburenganzira bwo kumenyeshwa vuba na bwango ico yagirizwa ido n'ido, akabishikirizwa mu rurimi yumva neza, akaronswa umwanya ukwiye kugira ategure uko yiregura, agashobora kubonana n'umushingwamanza amuburanira yirondereye kandi agashobora gusaba ko sentare ibaza ivyabona bimwagiriza kandi n'ivyabona bimukurako icaha bikabazwa bikongera bikumvirizwa ku rugero rumwe n'ibimwagiriza.

Ingingo ya 40 y'amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana mu gace b) i) ivuga ko umwana wese yiketsweko canke yagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika icaha kimwagiriye.

Ingingo y'7 y'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kumvirizwa mu rubanza rumwerekeye. Umuntu wese yikekwako icaha aguma afatwa nk'umwere gushika icaha kimwagiriye.

Uwikekwako icaha arafise uburenganzira bw'ukwiregura no kurondera umushingwamanza amuburanira. Arafise kandi uburenganzira bwo gucirwa urubanza mu gihe gito kandi akumvirizwa mu ntahe y'icese ataho ihengamiye.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere mu gihe umuntu yikekwako icaha.

N'amategeko y'igihugu c'Uburundi arategekanya ubwo burenganzira.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi atunganya ubwo burenganzira**

Mu mategeko y'igihugu c'Uburundi, tuza kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro n'ibiri mw'ibwirizwa n°1/09 ryo kuwa 11 rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

Ingingo ya 19 y'Ibwirizwa Shingiro irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashizeko umukono.

Uwikekwako icaha aguma afatwa nk'umwere gushika sentare imucire urubanza nk'uko Ibwirizwa Shingiro ribandanya ribivuga.

Ingingo ya 38 ivuga ko umuntu wese, mu rubanza rwa sentare canke rwo mu ntwaro, afise uburenganzira bwo kwumvirizwa bikwiye ata karenganyo kandi agacirwa urubanza mu kiringo kitari kinini.

Ingingo ya 40 nayo ivuga ko umuntu yagirijwe icaha afatwa nk'umwere gushika yagire icaha hakurikijwe amategeko mu ntahe y'icese kandi yaronkejwe n'umwanya w'ukwiregura.

Naho biri uko, mu manza z'ivyaha, uwagirizwa icaha arashobora gupfungwa mu kiringo c'amatohoza iyo bibaye ngombwa.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere

*(Bitangurira ku rup.10)*

Ingingo ya 154 y'igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa ivuga ko uwikekwako icaha ashobora gupfungwa ivy'agateganyo imbere yuko sentare ishikiriza ingingo yemeza ko yakoze icaha.

Ivyo navyo bishika iy'umuntu yagirizwa icaha gihanishwa umunyororo utari munsi y'umwaka umwe. Ashobora kandi gupfungwa ivy'agateganyo mu ntumbero yo gukingira abakorewe icaha ; kubuza ko umutekano uhungabana kubera ico caha cakozwe ; kugira babuze ko icaha kibandanya canke gisubira gukorwa canke kugira begereze uwukurikiranwa ubutungane mu gihe cose bumukeneye.

Ingingo y'164 ivuga ko uwukurikiranwa ari we ategerezwa kurenguka ubwiwe mu ntahe y'icese. Ariko iyo umuntu akurikiranwa ku caha gihanishwa umunyororo utarenza imyaka ibiri yo gupfungwa, arashobora guserukirwa n'umushingwamanza yerekanye umutahe w'imvaho w'uwo aburanira canke agaserukirwa n'iyindi ntumwa yemewe n'umucamanza.

Umuntu yikekwako icaha arafise uburenganzira bwo kurondera umushingwamanza amuburanira, ararekuriwe kwiregura ku vyo yagirizwa kandi n'amasura yiwe akumvirizwa. Ingingo ya 230 ivuga ko umushikirizamanza ari we ashinzwe gutanga ivyemezo, iyo bikenewe, bigatangwa n'uwusaba indishi.

Kiretse iyo amategeko abitegekanya ukundi, ivyaha bishobora kwemezwa hakoreshejwe ivyemezo ivyo ari vyo vyose bidahonyanga amategeko.

Uwiregura arashobora gutanga icemezo gihinyuza ico yagirizwa. Ingingo ya 233 ivuga ko uwagirizwa icaha adashobora kucemera canke kucemezwa ku nguvu.

Umuntu naho aba yakoze icaha aguma afise uburenganzira bwo gukingirwa.

Iyo uwakoze icaha atarakwiza imyaka 18, ntacirwa urubanza na sentare iyo ariyo yose, urubanza rwiwe ntigumviririzwa mu ntahe y'icese kandi iyo bibaye ngombwa agapfungwa mu mwanya w'amatohoza, apfungirwa mu kibanza cagenewe abantu bafise iyo myaka twokwita ibigo vy'igororero ry'abana bakoze ivyaha.

Ingingo ya 281 ivuga ko mu gihe uwikekwako icaha ari umuntu afise imyaka iri hagati ya cumi n'itanu na cumi n'umunani, umushikirizamanza afise iyo dosiye aca abimenyesha abavyeyi biwe canke abandi bantu bose bamujejwe.

Ingingo ya 287 ivuga ko umwana yikekwako icaha gikomeye, ashobora gupfungwa naho urubanza ruba rutaracibwa ariko agategerezwa gupfungirwa mu kigo kijejwe gutanga inyigisho zituma yisubirako canke agashirwa mu kibanza cagenewe abana bakoze ivyaha.

Ingingo ya 293 ivuga ko umwana yagirizwa icaha atumvirizwa co kimwe n'abantu bakuze mu ntahe y'icese.

Urubanza rwiwe rutegerezwa kuburanishwa mu mwiherero, agakurikiranwa n'igisata cabigenewe cegamiye sentare nkuru y'igihugu.

Abarekuriwe gukurikirana imburano ziwe n'abavyeyi, abamureze mu gihe atarezwe ni abavyeyi biwe, umushingwamanza wiwe, ivyabona canke abaserukira amashirahamwe yishinze kwitaho ineza y'abana. Urubanza rw'umwana yagirizwa icaha ntiruburanishwa mu gihe ata mushingwamanza afise.

Ingingo ya 298 ivuga ko urubanza rwaciwe n'ico gisata cabigenewe rushobora gusubirwamwo muri ico gisata nyene, iyo rwaciwe impaga, canke rukungururizwa mu gisata nk'ico cegamiye sentare isubiramwo imanza, vyose bigategerezwa gukorwa mu kiringo kingana n'iminsi mirongo itatu.

Umuntu yagirizwa icaha naho yoba yafatanywe itonga arafise uburenganzira bwo kudasinzikarizwa ubuzima mu ntumbero yo kumwemeza icaha ; uwagiriwe no gusinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu, arahanwa nk'uko igitabu c'amategeko mpanavyaha kibitegekanya.

Ikindi twobamenyesha ni uko mu gihe umushikirizamanza abuze ikimenyetso kigaragaza ko uwagirizwa icaha yagikoze arafata ingingo yo kubika dosiye.

Ivyo bikaba bitandukanye no kwambikwa izera kuko igihe ibimenyetso bibonetse mu nyuma dosiye irubururwa urubanza rukabandanya.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu yagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika sentare imucire urubanza rumwagiriza icaha.

Uwagirizwa icaha siwe yiyagiriza canke yerekana ko atacaha yakoze, umushikirizamanza afise iyo dosiye ni we ategerezwa kugira amatohoza akerekana uwakoze icaha uwo ariwe.

Naho umuntu aba yafatanywe itonga, uburenganzira bwo gufatwa nk'umwere arabugumana kandi aguma akingiwe ivyo vyose vyomusinzikariza ubuzima.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Mu myaka 124 iheze Inkuru nziza itanguye kumenyeshwa mu Burundi, ivyamwa bingana iki?

(Bitangurira ku rup.4)

2. Musenyeri André MAKARAKIZA yaritavye Imana yahora arongoye Diyoseze ya Gitega.
3. Musenyeri Nestor BIHONDA yaritavye Imana yahora arongoye Diyoseze ya Muyinga.
4. Musenyeri Stanislas KABURUNGU ari mukaruhuko k'izabukuru yahora arongoye Diyoseze ya Ngozi 5. Musenyeri Joachim RUHUNA yagandaguwe mu gihe yararongoye Diyoseze Nkuru ya Gitega

6. Musenyeri Bernardo BUDUDIRA yaritavye Imana yahora arongoye Diyoseze ya Bururi
7. Musenyeri Rogeri MPUNGU yaritavye Imana yahora arongoye Diyoseze ya Muyinga

8. Musenyeri Joseph NDUHIRUBUSA yaritavye Imana yahora arongoye Diyoseze ya Ruyigi

9. Musenyeri Evariste NGOYAGOYE ari mukaruhuko k'izabukuru yahora arongoye Diyoseze Nkuru ya Bujumbura

10. Musenyeri Simon NTAMWANA ari mukaruhuko k'izabukuru yahora arongoye Diyoseze Nkuru ya Gitega

11. Musenyeri Yohani Berchmans NTERERE yaramaze kwitaba Imana yahora arongoye Diyoseze ya Muyinga

12. Musenyeri Yohani NTAGWARARA arongoye Diyoseze ya Bubanza

13. Musenyeri Gervais BANSHIMIYUBUSA arongoye Diyoseze Nkuru ya Bujumbura

14. Musenyeri Yohakimu NTAHONDEREYE arongoye Diyoseze ya Muyinga

15. Musenyeri Venansi BACINONI aherutse kwitaba Imana yahora arongoye Diyoseze ya Bururi

16. Musenyeri Bonaventure NAHIMANA arongoye Diyoseze Nkuru ya Gitega

17. Musenyeri Blaise NZEYIMANA arongoye Diyoseze ya Ruyigi

18. Musenyeri Joriji BIZIMANA arongoye Diyoseze ya Ngozi

19. Musenyeri Salvatori NICITERETSE arongoye Diyoseze ya Bururi

***Amaparuwase amaze kuvuka gushika muri uyu mwaka w'2022 ni angahe? Abasaserdoti bo bamaze kuba bangahe, Imiryango y'abihebeye Imana yo ingana gute?***

**Biracaza**
**Patiri Noël Ntirandekura**

---

# Umwaka w'ishure 2022 - 2023 w'iseminari nkuru y'i Bujumbura waraye wuguruwe icese

(Bitangurira ku rup.5)

Ku bijanye n'umugambi w'Ekleziya aho mw'iseminari nkuru hotangirwa n'ibindi vyigwa hakaza kwiga n'abandi bantu batitegurira ibanga ry'ubusaseredoti nk'uko uwo mugambi watangajwe mu mwaka 2021, ngo integuro zigeze kure : « Twarateguye amategeko agenga ico gisata turayarungikira ababijejwe i Roma.

Ubwa mbere baratweretse ivyo twohinyanyura kugira ngo tuyatumbereze neza. Ubu naho twarasubiriye turayarungika inyuma yo kuyakosora none turindiriye inyishu izova kwa Papa kuko si igikirwa co kwigungana.

Mu gihe iyo Seminari nkuru y'i Bujumbura ngo yatanguye mu mwaka w'ishure w'i 1963 ushira 1964, iyo seminari iriko iregereza imyaka 60. Bitegekanijwe ko iyo sabukuru izohimbazwa mu mwaka w'ishure w'i 2023 ushira 2024. Ngo bazobitegura neza hanyuma babimenyeshe hageze.

Tubamenyeshe ko Ekleziya y'Uburundi ifise amaseminari makuru 4. Nk'uko tubimenyeshwa na Musenyeri Bonaventure Nahimana, ibitigiri vy'abaseminari vyifashe uku gukurikira uno mwaka :

Muri Filozofiya, iseminari nkuru y'i Burasira uno mwaka yakiriye abaseminari 54 begukira amadiyoseze n'abaseminari 3 begukira imiryango y'abihebeye Imana. Abaseminari bose hamwe bari muri iyo seminari uno mwaka bangana 169.

Mw'Iseminari nkuru y'i Bujumbura, twakiriye abaseminari 37 beguki-ra amadiyoseze n'abaseminari 32 begukira imiryango y'abihebeye Imana. Abaseminari bose hamwe bari muri iyo seminari uno mwaka bangana 194.

Muri Tewolojiya, Iseminari nkuru y'i Gitega uno mwaka yakiriye abaseminari 46 bashasha begukira amadiyoseze n'abaseminari 10 begukira imiryango y'abihebeye Imana. Abaseminari bose hamwe bari muri iyo seminari uno mwaka bangana 172 begukira amadiyoseze na 50 begukira imiryango y'abihebeye Imana.

Mw'Iseminari nkuru yo mu Kiryama, twakiriye abaseminari 30 bashasha begukira amadiyoseze n'abaseminari 2 begukira imiryango y'abihebeye Imana. Abaseminari bose hamwe bari muri iyo seminari mu gisata ca Tewolojiya uno mwaka bangana 120.

**Mélance Ndayikeze**